**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
**Secrétariat Général de l'Etat**

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°11 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 27 NYAKANGA 2023

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 27 Nyakanga 2023, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rukongera rukemezwa, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye kw'igenekerezo rya 21 Nyakaga 2023, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Umugambi wo kugwiza akazi no gutunganya ukundi gushasha ubutunzi mu Burundi,** washikirijwe n'umukozi mu bushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere.

Uwo mugambi ufise ihangiro ryo gushigikira iterambere ry'igisata c'abikorera ivyabo kugirango kizane akarusho mw'iterambere ry'ubutunzi no kugwiza ubuzi mu mashirahamwe mato mato, nk'uko isanzwe ari inkingi imwe mu zigize Umugambi w'igihugu w'iterambere.

Uwo mugambi uzoshigikira bimwe biboneka amashirahamwe y'abakenyezi kuko bifasha mw'iterambere ridakumira, ukazonafasha impunzi n'abazakiriye, kwiteza imbere.

Iterambere ry'igisata c'abikorera ivyabo rizovana n'ingene hazoshingwa amashirahamwe mashasha akorera ku mugaragaro, kugwiza umwimbu mu mashirahamwe mato mato, kwongereza ibitigiri vy'abashobora gushigikirwa no kuronswa amasoko, kuraba ingene abantu bafise amikoro make nabo nyene boshigikirwa, harimwo abakenyezi n'impunzi.

Ihangiro ry'uwo mugambi rero ni ugushigikira amashirahamwe mato mato, cane cane ay'abakenyezi n'impunzi, no kugwiza akazi muri ayo mashirahamwe.

Uburyo bugenewe uwo mugambi bungana na miliyoni ijana (100) z'amadorari y'abanyamerika, kandi ukazomara ikiringo c'imyaka itanu.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, **yarayemeje**, ivyashikirijwe navyo bikaba ari ibi bikurikira:

- Igitabo cerekana ingene umugambi wubatse cokwama giherekeza urwandiko rw'imvo n'imvano y'uwo mugambi;
- Kurondera uwurongora uwo mugambi kugirango utangure kurangurwa ningoga;
- Gushira ubushikiranganji bujejwe gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira mu bo uwo mugambi uzoba werekeye.

2. **Integuro y'ibwirizwa risubiramwo ibwirizwa n°1/13 ryo ku wa 23 Ndamukiza 2015 ritunganya igisata c'umuyagankuba mu Burundi,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka.

Iyo nteguro ifise intumbero yo kwugurura igisata c'umuyagankuba mu Burundi, kugirango buke buke abikorera ivyabo bashire imitahe muvyo kuwuhingura no kuwugurisha ku bawukeneye.

Iri tunganywa rishasha ry'ico gisata ritegekanya ko :

- REGIDESO, nk'ishirahamwe rya Reta, niryo rizoba rikurikiranira hafi ibijanye n'ikoreshwa ry'umuyagankuba uhurira hamwe (réseau interconnecté).
- REGIDESO be n'abikorera ivyabo bose bokwubaka ingomero bakongera bagatanga umuyagankuba;
- REGIDESO, ABER (ijejwe gutanga umuyagankuba mu gihugu hagati) n'abikorera ivyabo bogurisha umuyagankuba kubawukeneye.
- Ishirahamwe rya Reta, ABER, niryo ryoba rijejwe ivy'umuyagankuba udahurira hamwe n'uwa REGIDESO mu gihugu hagati (réseaux isolés). Abikorera ivyabo bashaka gushira imitahe muri ico gisata bazobisaba ubushikiranganji bujejwe amasoko ntanganguvu mu gihe bashaka kuwuhingurira no kuwutanga aho ABER isanzwe ijejwe.

Iyi nteguro iraha ikibanza kinini n'ayandi masoko ntanganguvu, ariko umugambi wose woza gukorera mu gisata c'amasoko ntanganguvu ntuhungabanye ibidukikije.

Ikindi naco, ni uko umuyagankuba uzokwizwa mu gihugu hagati biciye no mu kwubaba ingomero z'umuyagankuba ntonto, be no mu kwikora k'umuyagankuba uva mu mishwarara y'izuba.

Hari n'ibindi iyi nteguro ishikiriza, navyo bikaba ari nk'ibi bikurikira :

- Ingene abanyamitahe bokworoherezwa kugirango baje muri ico gisata c'umuyagankuba,
- Gutomora neza ingene igiciro c'umuyagankuba gishingwa n'ingene urihishwa,

- Gutomora inzego zitandukanye zijejwe ivy'umuyagankuba;
- Gukingira abaguzi no kubatunganiriza mu gihe hari ivyononekaye bivuye kuri nyene kugurisha umuyagankuba.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje**, ivyo yashikirije navyo bikaba ari ibi bikurikira:
- Gutondeka neza amabwirizwa yisungwa, mu gutangurira ku ya vuba;
- Guhinyanyura neza imvo n'imvano mugushiramwo amahangiro y'iri bwirizwa;
- Kwerekana bikuru bikuru bishasha iyi nteguro izanye, no kwerekana imvo yatumye iki canke kiriya gihinduka, kugirango iri bwirizwa ritahurike neza;
- Ku bijanye n'ico iri bwirizwa rishaka gushikako, kwerekana ko ari kwugururira ico gisata abikorera ivyabo ;
- Gukuramwo ingingo ya 78 ivuga ibijanye n'ingene umuyagankuba usabwa kuko bisanzwe biri mu ngingo ya 76 ;
- Kunyarutsa gutegura ibwirizwa rigenga igisata c'amazi meza mu Burundi.

3. **Amasezerano mfatakibanza yerekeye irangurwa ry'umugambi wo gukwiragiza umuyagankuba mu ntara zose z'igihugu uzorangurwa n'ishirahamwe Virunga Power Holding Limited**, yashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka.

Kw'igenekerezo rya 6 Rusama 2022, ishirahamwe Virunga Power Holdings Limited na Reta y'Uburundi barashize umukono ku masezerano y'umwumvikano yerekeye umugambi wo gukwiragiza umuyagankuba mu ntara z'Uburundi, bica bituma iryo shirahamwe rikora ivyigwa vy'intango vy'uwo mugambi.

Kugirango ivyigwa nyezina bitangure, no kugirango hashirweho imirwi ikurikirana uwo mugambi, mbere n'ibikorwa vyo kwubaka bishobore gutangura, iryo shirahamwe ryasavye Reta y'Uburundi ko boshira umukono ku masezerano mfatakibanza, mu kurindira ko hajaho amasezerano nyezina yerekana ingene iryo shiramwe rizofatanya na Reta kurangura uwo mugambi.

Ni muri iyo ntumbero iyi nteguro yashikirijwe.

Inama nshikiranganji imaze guca hurya no hino uwo mugambi, **yarashimye intumbero y'uwo mugambi**, ariko ica ibona ko ayo masezerano atoterwako umukono iryo shirahamwe ritabanje kwerekana ko rifise uburyo bukwiye bwo kurangura uwo mugambi, na cane cane ko ivyo bitari vyategekanijwe mu  masezerano y'umwumvikano.

4. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/22 ryo ku wa 07 Gitugutu 2016 rishira mu ngiro igitabu c'amategeko agenga ibidukikije, mu bijanye no kwiga ingaruka z'imigambi irangurwa ku bidukikije n'imibano,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Igitabu c'amategeko agenga ibidukikje kihari kuva mu mwaka w'2021 casubiriye icari cashizweho mu mwaka w'2000.
Itegeko rishira mu ngiro ico gitabu c'amategeko ku bijanye no kwiga inkurikizi z'imigambi irangurwa ku bidukikije ni iryo mu mwaka w'2010.

Birakenewe rero ko risubirwamwo rikisunga ico gitabu c'amategeko agenga ibidukikije gishasha, kubera imvo zikurikira:

- Umutwe w'iryo tegeko ryo mu mwaka w'2010 ntushiramwo ibijanye n'imibano kandi ari ikintu gihambaye mu kwiga ingaruka z'imigambi irangurwa ku bijanye n'ibidukikije;
- Harimwo amajambo amwe amwe kandi ahambaye atatangiwe insiguro muri iryo tegeko ryo mu mwaka w'2010, kugirango ritahurike neza, na cane cane ko ryerekeye ivy'ubuhinga;
- Ivyo iryo tegeko ryo mu mwaka w'2010 rigamije ntivyatomowe neza;
- Ingene kwiga ingaruka z'umugambi ku bidukikije n'imibano bikorwa ntivyari vyatomowe neza;
- Iryo tegeko ryo mu mwaka w'2010 ntiryerekana ingene abantu batunganirizwa bivuye ku ngaruka zababayeko bitumwe n'umugambi waranguwe;
- Itegeko ryo mu mwaka w'2010 ntaco rivuga ku mpanuka zishobora gushika, ivyaduka, n'ingene abantu bahungabanijwe n'ihindaguruka ry'ibihe bimurirwa ahandi.
- Itegeko ryo mu mwaka w'2010 ntiryerekana uwuriha amahera ajanye n'ivyigwa ku nkurikizi z'umugambi ku bidukikije n'imibano be n'ayandi mahera atangishwa.

Iyi nteguro yashikirijwe mu ntumbero yo gukosora utwo tunenge.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje**, ivyashikirijwe navyo ni ibi bikurikira:

- Kubera ko hari bishasha vyagiye muri iyi nteguro, rica riba itegeko rishasha. Si itegeko rero risubiwemwo. Umutwe waryo wokwandikwa neza;
- Gutondeka neza amategeko yisungwa mu gutangurira ku ya vuba;
- Ku bijanye n'umushikiranganji yashikirije iyi nteguro, kwandika neza ingene ubushikiranganji bwitwa muri iki gihe ;
- Ku ngingo ya 33 ivuga ibigo bisuzuma inkurikizi z'imigambi ku bidukikije n'imibano, guhindura hakandikwa « ibigo vyemewe » aho kwandika « ibigo bishobora kujaho»,no gutomora ko ibizokwisungwa mu kubitora bizotomorwa n'itegeko ry'umushikirangani.

5. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/090 ryo ku wa 28 Gitugutu 2020 ritunganya ubushikiranganji bw'indero n'ubushakashatsi,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi.

Muri iki gihe ubushikiranganji bw'indero butunganijwe n'itegeko n°100/090 ryo ku wa 28 Gitugutu 2020.

Umwitwarariko nyamukuru uhari mu gutunganya ubwo bushikiranganji, ni kugirango ibisata vyose bibugize bikore neza kandi vyubakana, mu gushira mu ngiro ibitegekanywa n'Umugambi wo guteza imbere igisata c'indero be n'Umugambi w'igihugu w'iterambere.

Kugirango rero ibisata vyose bikore neza, no mu ntumbero yo gufatira ku ntambwe igezweko mu gutunganya igisata c'indero mu Burundi, hamwe n'intumbero itangwa na Reta, iyi nteguro irashikiriza bishasha bikurikira :

- Gushiraho Ubunyamabanga ntayegayezwa bubiri: bumwe bukaba bwokurikirana inyigisho mu mashule mato mato n'ayisumbuye no gutunganya ibijanye n'uburyo, ubundi bukaba bwokurikirana inyigisho za kaminuza, ubushakashatsi no gutora ubuhinga bushasha ;
- Gushinga ikigo cigisha ubuhinga n'imyuga no kwitunganiriza akazi ;
- Gushiraho ubuyobozi bukuru bujejwe inyigisho za Kaminuza ;
- Guhindura, ibitaro vyo mu Kamenge (Roi Khaled) bigakukira Ubuyobozi bwa Kaminuza y'Uburundi aho gukukira Ubushikiranganji, nk'uko vyasabwe n'abagenduzi b'Ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko;
- Guhindura, Ikigo cigisha ubuhinga bwo gufungura c'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko kigakukira Ubuyobozi bwa Kaminuza, kuko naho ari igisata gitanga inyigisho ata bakozi baco bwite gifise.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje**, ivyashikirijwe navyo bikaba ari ibi bikurikira:

- Mu mategeko yisungwa, gushiramwo irigenga ubushikiranganji risubiwemwo;
- Mu mirimo ubushikiranganji bujejwe, kuraba iyishaka gusa ikaja hamwe;
- Ibijanye n'inyigisho vyose vyokukira ubushikiranganji bw'indero, kugirango ntihahave havuka amashule yigisha abakozi mu bushikiranganji bumwe bumwe bwose ;
- Gushira ikigo cigisha ubuhinga n'imyuga no kwitunganiriza akazi mu bikukira ubushiranganji ;

- Kwandika agace k'icenda k'ingingo ya 46 mu buryo bukurikira : « Gukomeza Ikirundi nk'ururimi rwigishwa mw'ishule shingiro n'irikurikira ishule shingiro mu kwongereza amasaha yo kurwigisha » ;
- Kwimurira mu ngingo mfatakibanza ibiri mu ngingo ya 92 ivuga ibijanye n'Ikigo co mu Nyakabiga cigisha imyuga n'ibigo vy'i Bururi na Kirundo bigikukira;
- Kwandika neza iri tegeko ku buryo ibigabane bitosumbana cane mu bitigiri vy'ingingo zibigize;
- Umushikiranganji ajejwe indero n'uwujejwe amagara y'abantu boheraheza igikorwa kijanye no gutorera umuti ibibazo biri ku bitaro vyo mu Kamenge ku bijanye no kuvura no kwigisha.

**6. Utuntu n'utundi**

- Umushikiranganji ajejwe inyubako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro yaravuze ibijanye n'abanyamitahe basaba amatongo yo kuranguriramwo imigambi, aranavuga n'amatongo Reta yasubiyeko kubera abayaronkejwe batayaranguriyemwo igikorwa bayasabiye mu kiringo cari gitegekanijwe.
  Inama nshikiranganji yamusavye kugira icegeranyo c'aya matongo yose yasubiye mu minwe ya Reta, haze hace hashirwaho umugwi w'abahinga uzokwerekana ico yokoreshwa.
- Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yaravuze ibijanye n'ibihuha bikwiragizwa muri iki gihe. Yaramenyesheje ko ibintu vyama uko iyo hegereje amatora, ababikora bakaba baba bafise intumbero yo gutera umutima uhagaze mu bantu, no gusamaza abajejwe intwaro.
  Yamenyesheje ko inzira nziza yo kubirwanya ari ukumenyekanisha na ntaryo ibintu vy'akamaro biriko birakorwa.
  Ni muri iyo ntumbero yaciye asaba abashikiranganji kwitegura, kugirango baze batange umuco ku myitwarariko n'ibibazo vy'abenegihugu mu kiganiro gitegekanijwe kw'igenekerezo rya 06 Gitugutu 2023.
  Yabamenyesheje kandi ko ukwezi kwa Kigarama 2023 kuzorangwa ahanini n'ibikorwa vyo kugendera abenegihugu.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 28 Gitugutu 2023

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi

Prosper NTAHORWAMIYE